**REPUBULIKA Y'UBURUNDI**

**UBUSHIKIRANGANJI BW'AMAZI, IBIDUKIKIJE, UGUTUNGANYA AMATONGO N'IBISAGARA**

**IKIGO C'IGIHUGU KIJEJWE GUKINGIRA IBIDUKIKIJE**


# UKUBUNGABUNGA IBIZANZA BIKINGIWE KU NEZA Y'UBUZIMA BWA KIREMWA MUNTU: *Akamo gatewe abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe ngo bagaragaze uruhara rw'abo mu kubangabunga ibibanza bikingiwe*


Point focal national biodiversité
Nationaal knooppunt biodiversiteit

LA COOPÉRATION BELGE AU DÉVELOPPEMENT .be

museum

**Bujumbura, Ntwarante 2016**

**UKUBUNGABUNGA IBIBANZA BIKINGIWE KU NEZA Y'UBUZIMA BWA KIREMWA MUNTU:** ***Akamo gatewe abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe ngo bagaragaze uruhara rwabo mu kubangabunga ibibanza bikingiwe***

**Ikigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije**
B.P. 2757 Bujumbura
Burundi
Tél. (257)22234304
E-mail: inecn.biodiv@cbinf.com
Site web: http://bi.chm-cbd.net

**© CHM-Burundais: Centre d'Echange d'Information en matière de Diversité Biologique, (Clearing House Mechanism), 2016**

Agatabu kanditswe/ kateguwe na AHISHAKIYE Jerôme mu mugambi w'ubushakashatsi, uguhanahana inkuru, uguhimiriza n'ukubungabunga ibinyabuzima mu Burundi washizweho mu ntumbero y'ugushira mu ngiro amasezerano y'umwumvikana yabaye hagati y'ikigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije OBPE (INECN ya kera) n'ikigo c'ingoma y'Ububiligi kijejwe ubumenyi kama (IRScNB).

Point focal national biodiversité
Nationaal knooppunt biodiversiteit

museum

LA COOPÉRATION BELGE AU DÉVELOPPEMENT .be

**IBIRIMWO**

INTANGAMARARA ........................................................................................................................ 3
I. IBIGERAMIYE IBIBANZA BIKINGIWE............................................................................. 5
II.URUGERO RWO KWITANGA KW'ABENEGIHUGU BEGEREYE
IBIBANZA BIKINGIWE MW'IBUNGABUNGWA RYAVYO .............................................. 6
III. UGUHAMAGARIRA ABENEGIGUHUGU BEGEREYE IBIBANZA BIKINGIWE
KWITANGA BIBONEKA MW'IBUNGABUNGWA RYAVYO…………………………..10
UGUSOZERA.......................................................................................................... ……………14

## INTANGAMARARA

Mu Burundi, ibinyabuzima birononwa ku murindi uteye ubwoba. Ivyo navyo bigakorwa k'umu garagaro, abenegihugu n'abajejwe inzego zitandukanye barorera. Haracariho rero agahaze mu bijanye n'ugutahura akamaro ko kubungabunga ibinyabuzima ku neza y'urunganwe ruriho ubu n'urwo muri kazoza.

Ibikorwa vy'uguhimiriza vyama vyakozwe kugirango barabe ko hoba uguhindura ingendo, ariko icibonekeza n'uko ibinyabuzima biri mu bibanza bikingiwe bibandanya vyononekara mbere bikanatuma haduka amatati hagati y'abenegihugu hamwe n'abajejwe gukingira ivyo bibanza. Ayo matati usanga ahanini afatiye ku kugene batafatiye ku vyipfuzo n'inyungu z'abanegihugu mu gutunganya ibibanza bikingiwe.

Ibikorwa vy'uguhimiriza vyarakozwe ku nkengera y'ibibanza bikingiwe, ariko usanga bitakozwe kenshi kandi bigakorwa ata bikoresho vy'uguhimiriza biteguwe neza ufatiye ku migwi iba yatowe ngo ikurikirane izo nyigisho. Vyongeye, bahejeje inyigisho, nta nzandiko canke udutabo turimwo inyigisho basigira abazironse ngo nabo baze bazishikirize abasigaye ku mitumba bataje mu nyigisho.
Izo nyigisho z'uguhimiriza akenshi zitangwa hakoreshejwe ubuhinga bugezweho, aho abazigenewe bazironka bumviriza kandi bazirorera canke zigaca ku mboneshakure zigakurikiranwa n'igice kimwe gusa c'abenegihugu baba mu bisagara.

Naho biri uko, ibibanza bikingiwe bibandanya vyononekara, ivyo navyo bigasigurwa ko abogira ico baterereye mu kubungabunga ibibanza bikingiwe batigera bashikirwa muri ivyo bikorwa bitandukanye vy'uguhimiriza ku bijanye n'ukubungabunga ibibanza bikingiwe.

Aka gatabo karimwo inyigisho zizofasha guhimiriza ku bijanye n'ingene abenegihugu begereye ivyo bibanza bikingiwe bogaragaza uruhara rwabo mu kubungabunga ivyo bibanza. Kazofatwa rero nk'igikoresho nshingiro mu bikorwa vyose bijanye n'uguhimiriza. Abenegihugu nabo begereye ivyo bibanza bikingiwe bahamagariwe kugira ico bakoze kiboneka kugirango barwanye ibigeramiye ivyo bibanza kugirango haboneke akarusho mu kurwanya ibikorwa bibi na cane cane ko abo benegihugu aribo bakora hanini ibikorwa bititura ibibanza bingiwe n'ibinyabuzima.. Abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe bategerezwa koronswa inyigisho n'aba bakurikira:

- Abarimyi;
- Aborozi;
- Abarovyi;
- Abahigi;
- Abavumbi/abegetsi;
- Abasoroma imiti ikoreshwa mu buvuzi kama;
- Abaca amakara n'abarondera inkwi zo gucana ;
- Ababaji (imbaho);
- Abarondera ibiterwa bikoreshwa mu myuga kama;
- Abacukura ubutare;

Ibiri muri aka gatabo ni inyigisho z'uguhimiriza zatororokanijwe hihwejwe umugwi ugenewe izo nyigisho. Izo nyigisho rero zifise intumbero y'uguteza imbere urugero rwo kwitanga ku benegihugu begereye ibibanza bikingiwe mu kubikingira. Aka gatabo kazofasha kandi abajejwe kubungabunga ibibanza bikingiwe mu kwigisha no mu guhimiriza abenegihugu bavyegereye. Kazotuma kandi abenegihugu begereye ivyo bibanza bikingiwe baguma bigishanya mu bijanye n'ukubungabunga ivyo bibanza mparirwabuzima kama.

## I. IBIGERAMIYE IBIBANZA BIKINGIWE

Nkuko twamaze kubivuga, ibibanza bikingiwe biratiturwa bikongera bigasamburwa. Ivyo bititura kandi bigasambura ivyo bibanza biri mu mice ikwirikira :

- Uguhonya amashamba n'ukumara amatungo kama ;
- Ugutema amashamba barondera aho barima;
- Itosekara;
- Igwirirana ry'ubwoko bw'ibiterwa mva makungu.

***1.*** *Uguhonya amashamba n'ukumara amatungo kama*

Itituka ry'ibibanza bikingiwe ryerekanwa n'igabanuka riteye ubwoba ry'ubwoko bw'ibimera bivuye k'uguhonya amashamba ; ivyo bigatuma ibinyabuzima bigabanuka bidasanzwe kubera ibikorwa bitandukanye abenegihugu bakora. Ibituma nyamukuru ry'ihonywa ry'amasamba n' ibi bikurikira:

- Ugutema amashamba barondera aho barima;
- Ugukoresha nabi amatungo kama;
- Imiriro ya nyakanga.

***2. Ugutema amashamba barondera aho barima n'uburagiro mu bibanza bikingiwe***

Ukwagura indimo n'ukurondera uburagiro biri mu bituma igabanuka n'izimangana ry'ibibanza mparirwabuzima bimwe bimwe. Ivyo bitumwa n'ukurondera amatongo yo kurima ivyo navyo bikava kw'igwiririrana ry'abantu rirenze urugero umwimbu nawo uva mu burimyi ukaba udashemeye. Ni naco gituma, kubera ubuto bw 'amatongo, abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe baca baronderera amatongo agifise akanovera/ ataratituka mu gutema canke naho bakarondera uburagiro mu bibanza bikingiwe bikirimwo amashamba

***3. Ugukoresha nabi amatungo kama***

Ugukoresha birenze urugero amatungo kama ni nk'uguca ibiti bidakurikije amategeko, ukubazo imbaho, ugusoroma nabi ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama, ukuroba birenze kakoreshejwe ibikoresho bihonya, uguhiga ibikoko n'ibindi. Ivyo bikorwa vyose vyama vyakozwe mu bibanza bikingiwe, birabangamiye cane ibibanza mparirwabuzima kandi bikageramira ibinyabuzima biri muri vyo. Kuri ivyo bikorwa hakiyongerako ugucukura ubutare bikabije hatisunzwe integuro canke icigwa na kimwe cerekana ingaruka mbi ku bidukikije. Aha twovuga nk'icukurwa ry'inzahabu n'ubundi butare mu Ruhongore rw'Igihugu rwa Kibira, ugucukura umusenyi mu Ruhongore rw'Igihugu rwa Rusizi n'icukurwa ry'ubutare bwa kolota na kasiterite mu karere gakingiwe ka Murehe.

***4. Imiriro ya nyakanga***

Imiriro ya nyakanga ituruka ku bituma bitandukanye arivyo vyibi: ukurima babanje guturira, ukurondera umuyonga w'ibitungwa hamwe n'uruhigi. Hariho kandi imiriro itorokana abavumbi iyo bariko barahakura canke ikava kugucana amakara, n'imiriro rero ituruka ku bugizi bwa nabi ata kindi iba igamije atari ubwononyi gusa.

***5. Igwirirana ry'ubwoko bw'ibiterwa canke ibikoko vyonona ibindi***

Muri iki gihe, biribonekeza ko ugukwiragiza ubwoko bushasha bw'ibiterwa canke ibikoko bibangamiye ibibanza bikingiwe bimwe bimwe. Nico gituma igwirirana ry' « amarebe (Jacinthe d'eau) » mu mazi yo mu kiyaga Rweru kiri mu mitumba ikingiwe igizwe n'amazi yo mu buraruko no mu micungararo yaho ritanguye gutera ubwoba abatari bake. Igwirirana ry' « umuhengerihengeri, (*Lantana camara*) » mu Ruhongore rw'igihugu rwa Rusizi riramaze kuba intandaro y'irwirirana ry'ubundi bwoko bwinshi bw'ibimera butari buhasanzwe

## II. URUGERO RW' UKWITANGA KW'ABENEGIHUGU BEGEREYE IBIBANZA BIKINGIWE MW' IBUNGABUNGWA RYA VYO

Abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe bagize umugwi uboneka kandi uhambaye ukora ibikorwa vyonona ibibanza bikingiwe mu buryo butandukanye. Uko kwitanga kw'abo benegihugu begereye ibibanza bikingiwe kudafashe mu bijanye n'ukubungabunga ibibanza bikingiwe bisigurwa ko ibibanza bikingiwe bidahengeshanya gusatirwa no kugeramirwa, ivyo bigakora n'abenegihugu babicishije mu bikorwa vyo kurondera ivyo bafungura, uburagiro, ugucukura ubutare n'amabuye, uruhigi n'ibindi.

### *1. Abarimyi*

Abarimyi bonona ibibanza bikingiwe cane cane mu kurima ibiterwa mu mashamba yo mu bibanza bikingiwe muri rusangi. Uguhindura amatongo y'ibibanza bikingiwe bakayagira ayo kurimamwo biribinekeza ahenshi mu bibanza bikingiwe.

Abarimyi baratema igice c'ibibanza bikingiwe, aho ni nko mu ruhongore rw'igihugu rwa Kibira no mu mitumba ikingiwe y'i Makamba. Rimwe na rimwe, urasanga mbere abenegihugu bavyubatsemwo amazu y'uburaro. Aho ni nko mu Ruhongore rw'igihugu rwa Rusizi, mu turere kama dukingiwe twa Vyanda na Monge n'ahandi, aho ibigwati vyubatswe muri ivyo bibanza. Ibikorwa vy'abarimyi vyonona ibibanza bikingiwe vyigaragariza muri ibi**:**

- Iyongerekana ry'uburinganire ry'imirima iri ari mu bibanza bikingiwe;
- Ukurima amaduga ku misozi ihanamye navyo bikaba vyunyura umurindi w'inkukura;
- Ugutanga amatongo bidakurikije amategeko mu bibanza bikingiwe;
- Ukwinjira mu turere kama dukungiwe tugizwe n'amashamba ya Rumonge, Vyanda na Kigwena;
- Ukurenga imbibe mu kurondera amatongo y'ukurima mu bibanza ndangamico kama vyo mu buseruko, ukurima ku nkengera z'ibiyaga n'ugutosekaza amazi kubera umwavu y'ikizungu n'imiti bikoreshwa mu gisata c'uburimyi.

***Inkurikizi: Mu bice biba vyatemwe, umwimbu ugenda uragabanuka , abarimyi bagaca barondera ayandi matongo mashasha mu bibanza bikingiwe, gutyo itituka ry'ivyo bibanza rikabandanya baza bariha gato gato gushika aho ikibanza categerezwa kuba gikingiwe gihinduka indimiro cose.***

### *2. Aborozi*

Mu Burundi, ubworozi ni kimwe mu bititura ibibanza bikingiwe. Aborozi bajana akenshi mu kinyegero kuragira amasho yabo y'ibitungwa mu bibanza bikingiwe kandi ariko barateba bakabikora k'umugaragaro nkuko tubibona mu mpongore z'igihugu za Rusizi na Ruvubu. Aborozi bashira imbere kugaburira ibitungwa vyabo ariko bononye ibibanza bikingiwe. Birashika mbere n'aho badomeka imiriro ya nyakanga mu bibanza bikingiwe kugirango baronke umuyonga wo gufungurira amatungo yabo cane cane mu gihe c'ici. Ayo matungo aba agizwe n'impene, inka n'intama. Ivyo bikoko bikazorisha muri ivyo bibanza bikingiwe umunsi wose ugahera eka mbere akazozigarukana incuro zose zishoboka.

Ibikorwa vy'aborozi vyonona bigaragarira muri ibi bikurikira:
- Ukuragira ibitungwa vyinshi mu bibanza bikingiwe;
- Ukwatsa imiriro ya nyakanga mu kurondera ubwatsi buremvye mu gihe c'ici;

***Inkurikizi: Ukuragira ibitungwa vyinshi mu bibanza bikingiwe birunyura inkukura y'isi cane cane kubera ivyo bitungwa bihonyanga kw'isi itambaye ( itagirako ivyatsi) , ivyo navyo bigatuma inkukura y'isi iba ndanse bivuye cane cane ku mivo y'imvura itemba kuko ata vyatsi biba biriho ngo biyitangire.***

***3. Abahigi***

Hambere hahise, mu Burundi harakorwa uruhigi rw'ibikoko mu mashamba . Muri kino gihe, ni gake cane wobona umuntu ariko arahiga mu mashamba kanatsinda menshi ubu ari mu bibanza bikingiwe. Mu bibanza bikingiwe, abahigi barondera ibikoko vyinshi bashoboye kubona uhereye ku nyoni (inkware) gushika ku bikoko binibini na cane cane ibirisha ivyatsi (imvubu, imbogo, impongo n'ibindi.) tutibagiye n'ibikoko bimwe bimwe vyikurura hasi nk'isato. Ibikorwa bijanye n'uruhigi bikorwa kenshi n'abatwa mu kinyegero, ariko hari n'iyindi migwi y'abenegihugu na cane cane abahigi bari mu turere twegereye imbibe z'igihugu n'ibibanza bikingiwe nkuko vyibonekeza mu ruhongore rw'igihugu rwa Ruvubu ku ruhigi rw'imbogo. Rimwe na rimwe, uruhigi rudakurikije amategeko rukorwa mu migwi , aho bashobora gufata ibikoko vyinshi. Aho twotanga akarorero k'uruhigi rw'Icuya/Imondo mu ruhongore rw'igihugu rwa Kibira. Ibikorwa vy'abahigi vyonona ibibanza bikingiwe bigaragarira muri ibi bikurikira:

- Iyongerekana c'igitigiri c'ubwononyi bujanye n'uruhigi rw'ibikoko vyicirwa mu bibanza bikingiwe;
- Gukoresha imitego yo gufata ibikoko mu bibanza bikingiwe (kuneka, gutega imitego, kurasa bakoresheje ibikoresho bicira umuriro, kwimba ibinogo, gutegesha ibinyati, gutega imigozi, insenga n'ibindi.).

**Inkurikizi: Kuva mu mpera z'imyaka ya 1950, harabaye izimangana ry'ubwoko bw'ibikoko bivuye k'uruhigi n'ugusambura uburaro bwavyo (mu matohozwa yakozwe biramaze kuboneka ko ubwoko burenga 10 bw'ibikoko bwazimanganye mu Burundi) n'igabanuka ridasanzwe ry'ibikoko mu bibanza bikingiwe. Uturorero: intare, inzovu, ingagi n'ibindi, etc.).**

***4. Abarovyi***

Mu kurondera gufata amafi menshi bakoresheje uburyo n'ubuhinga butemewe n'amtegeko, abarovyi biyumvira ko bariko baratera intambwe mu buzima bwabo, bakirengagiza ko mu minsi iri imbere amafi ashobora kuzimangana eka mbere n'ibindi binyabuzima biba mu mazi, ikitavuzwe co n'ibibanza ifi zirondokeramwo. Bamwe baribagira abandi bakirengagiza ko uko baroba bidaciye mu mategeko, abo barovyi bakitera bonyene ubukene muri kazoza kandi bagatuma ababakomokako (uruvyaro) batazogira amahigwe yo kuronka amafi. Vyongeye ubuhinga bakoresha mu kuroba kenshi burabujijwe n'amategeko. Kuroba bakoresheje umukwabu, urusenga rufise umufuko rufata ikinyabuzima cose kiri muri ako karere, umusipi ukomeretsa amafi mu magage, ukuroba bakoresheje umusegetera ufise udutoboro duto duto, uwu nawo uhitana ibinyabuzima vyose aho uciye. Vyongeye abarovyi ntibigera bagira bahagarika ico gikorwa ngo bahe amafi akanya ko kurondoka no gukura. Ibikorwa vy'abarovyi vyonona vyigaragariza muri ibi:

- Ugukoresha ubuhinga n'ibikoresho bibujijwe mu burovyi;
- Uguhurumbira kw'abantu batari bake umwuga w'uburovyi mu nzuzi zegereye canke ziri mu bibanza bikingiwe.

***Inkurikizi:*** **Abarovyi iyo bakoresheje ubuhinga n'uburyo bubujijwe, bafata ibinyabuzima vyose n'abana bavyo. Irundarunda ry'amafi mu mabenga y'inzuzi canke y'ibiyaga rishobora kugabanuka mbere rikazimangana. Ukutubahiriza ibihe vy'uguhagarika kuroba bituma baroba udufi tukiri duto cane ivyo navyo bigatuma haba igabanuka ridasanzwe ry'amafi.**

*5. Abasoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kavukire/kama*

Abasoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama bakoresha ubuhinga butandukanye aribwo bw'ubu:

- Ukwamura ivyamwa n'amababi agenewe gukoreshwa mu buvuzi kavukire/kama;
- Ugushishura umutumba w'igiti cane cane ku biti binini binini ariko rero n'ibiti bigereranye canke bito bito.
- Mu kubishishura bakoresha imbazo, imihoro, imipanga iyo bashishura umutumba w'igiti, udufuni (isuka zaheze), ikimanyu c'igiti gisongoye, imbugita iyo bashishura imizi n'ibindi ;

Ukurandurana igiterwa cose iyo bazi ko ico giterwa kivura cose. Akenshi bishika ku vyatsi vyose bivura ;
Ibikorwa vy' buvuzi kama vyononona bigaragarira muri ibi bikurikira :

- Ugusoroma/ukwamura bakoresheje uburyo n'ubumenyi bwononona ibiterwa kuburyo bimwe bishobora kuzimangana;
- Igwirirana ry'igitigiri kirenze c'abasoromyi b'imiti y'ikirundi.

***Inkurikizi*: Haribonekeza igabanuka mbere n'izimangana ry'ubwoko bw'ibiterwa bukoreshwa mu buvuzi kavukire. Hari mbere imiti ikoreshwa mu buvuzi kama iza kuronderwa mu bihugu bibanyi nka Tanzaniya.**

*6. Abacukura ubutare n'amabuye*

Ugucukura inzahabu, kasiterite na kolota co kimwe n'ubundi butare bisaba kwimba imifurege n'ibinogo vyagutse kandi birebire mbere ugashobora no kugendagenda imetero zitari nke winjira mu kuzimu. Ivyo ahenshi usanga bikorerwa ku nkengera y'inzuzi ntonto kugirango bashobore gutandukanya ubutare n'ivu. Imbere yo gucukura ubutare, babanza gutema ibiti n'ivyatsi biri aho hantu hagasigara. Iyo baburondera ku nkengera z'inzuzi, ivu bimvye barita mu mazi hanyuma ayo nayo agaca atobekana cane bigatuma ibinyabuzima biri muri ayo mazi n'iyo yisuka bihahonera. Kuvyereye ugucukura ibikoresho vyo kubaka, barimba canke bakabikura ku nkengera canke mu nzuzi canke naho bakabikura ku misozi ihanamiye ibibanza bikingiwe.

***Inkurikizi*: Icukurwa ry'ubutare rirasambura isi n'amashamba cane rikongera rikajuragiza amazi y' inzuzi zo mu bibanza bikingiwe. Akarorero kagaragara n'itituka ry'inzuzi zica mu ruhongore rw'igihugu rwa Kibira mu ma komine ya Murwi, Bukinanyana, Rugazi na Mabayi. Inzuzi zarataye inzira bigaca bituma amazi atagishika neza mu kiyaya ndimwa ca Rusizi. Imisozi ihanamiye ibibanza bikingiwe irabomagurika canke igata ikibanza yarimwo rimwe na rimwe ugasanga umusozi wose wamanutse.**

*7. Abegetsi/Abavumbi*

Abavumbi bashira ibitiba vyabo mu mashami y'ibiti birebire cane kugirango bazitire ubwononyi butandukanye buva k'udukoko twononona canke abasuma. Ibiti bimwe bimwe vyo mu bibanza bikingiwe birahurumbirwa cane kubera inzuki z'ibitaramwo, ivyo n'avyo ni *ingongo/umubanguro, umutuntu/umuyama n'umukumu/umunazi*. Mu bibanza vy'amashamba atugaye neza, ugukora ibitiba vya kera bikorwa mu bishishwa vy'ingongo n'umutuntu. Mu buvumbi bwa kera canke bwa kijambere, mu guhakura ubuki babanza gushira umwotsi mu bitiba kugirango inzuki ntizibarye.

***Inkurikizi:* Ugushira umwotsi mu bitiba gushobora gutuma haduka imiriro ya nyakanga nayo igashobora gutikiza ibibanza bikingiwe ibinyabuzima vyinshi bikahatikirira. Kurivyo haca hiyongera ko ihonyangwa ry'ibinyabuzima biri muri ivyo bibanza bikingiwe n'abo bavumbi canke abagiye kuzimya uwo muriro.**

***8. Abakoresha amatungo mu myuga mito mito***

Kugirango bakore ibikoresho bitandukanye vy'imyuga mito mito, abanyamyuga canke abegeranya barakenera gukura amatungo mu bibanza bikingiwe. Abanyamyuga bonyene nibo baja gusoroma ibikoresho nk'*urukangaga, imigano, urugagi* n'ibindi canke bakabigurira abandi babisoromye. Mu gihe abantu bakora ivyo bikorwa gusoroma mu bibanza bikingiwe, ntibigera biyumvira ivyo bafise ingene bingana canke ivyo basigaranye bivanye n'ubwoko bw'igiterwa bakoresha kenshi. Ni gake cane usanga abo banyamyuga biyumvira kubirima mu matongo iwabo , aho twovuga nk'umugano.

***Inkurikizi*****: Mu mihingo itari mike, biragaragara ko amatungo y'ibinyabuzima akoreshwa mu mu myuga mito mito atera agabanuka bimwe biteye ubwoba: twotanga akarorero k'urukangaga ruri mu bibanza bikingiwe nk'uruhongore rw'igihugu rwa Kibira, urugagi mu karere kagizwe n'ishamba rya Kigwena n'ahandi.**

***9. Abacana amakara n'abaca ibiti vy'ugucana***

Mu bibanza bikingiwe vyose haribonekeza igikorwa c'ukurondera inkwi z'ugucana. Ivyo bikorwa n'abenegihugu begereye ivyo bibanza mukinyegero cane cane abagore n'abana, aho bagerageza kwinyegeza abajejwe gucungera ivyo bibanza. . Ico gikorwa gikorwa gutya:

Mis en forme : Anglais (États Unis)

- Ugutoragura inkwi zumye cane cane amashami aba yakorotse hasi canke kuvuna amashami ku giti cumye canke naho ukwicira igiti kikiri kibisi kugirango baze bagikoreshe cumye;
- Uguca ibiti kugirango bacanemwo amakara canke bashobore kuyiga amafi. Mu bisanze, uguca amakara mu micungararo y'udusagara duto duto bituma haba ubwoko bumwe bumwe bw'ibiti butaboneka cane cane *umunazi*, *umubanga, n'ikimuna/umufute/umutabataba* n'ibindi.
- Ugucana amakara niko kugeraniye biboneka amashamba yo mu misozi.

**Inkurikizi: Ukurondera inkwi mu bibanza bikingiwe, ugucana amakara n'ukuyiga amafi biri mu rukwirikirane bituma ibinyabuzima bigabanuka. Ubwoko butandukanye bw'amashamba canke bw'ibisanze biragabanuka kubera ko ubwoko bazi cane canke bakunze gukoresha busoromwa ku rugero rudasanzwe. Ivyo navyo ni nk'umunazi. Aho twokwongerako imiriro ya nyakanga ishobora kuba akananira bahinga kubera ivyo bikorwa bitandukanye twavuze.**

***10. Ababaji b'imbaho***

Mu kurondera ibiti bivamwo imbaho nziza, ababaji bikora ku biti vy'ishamba biri mu bibanza bikingiwe. Kubera ivyo, haraba ugutororokanya ibiti bizwi ko bishobora kuvamwo imbaho nziza zihurumbirwa cane n'abazikenera. Ibiti vy'ishamba biraronderwa kandi mu kubaza ubwato, amasekuro n'ibindi bikoresho vyo mu nzu. Muri kino gihe, ababaji basigaye kandi bikora ku biti bimwe bimwe mva makungu nk'igeleveliya n'umukaratusi vyatewe mu bibanza biri ku nkengera y'ibibanza bikingiwe. Ibikorwa vy'ababaji vyonona bigaragarira muri ibi bikurikira :

- Guca igitigiri kinini c'ibiti bivamwo imbaho;
- Ugutera ubwoko bw'ibiti vyonona isi ndimwa.

***Inkurikizi:*** **Ukubaza ibiti vy'ishamba ni igikorwa gikomeye cane gituma igabanuka canke izimangana ry'ubwoko bw'ibimera. Nico gituma ukubaza kugeramiye cane ibimera vyo ku rwego rwo hejuru nk'umuyove, umushishi, umuremera, umwuzuzu, umufuke n'umuhuririzi kandi uguca ibiti kugirango babikoremwo ibikoresho bitandukanye birafise ingaruka ku bundi bwoko bw'ibiti nk'umukerekwa/umushwankima, umurorankona, umusorora, umuhumuza/umuremvya.**

## III. UGUHAMAGARIRA ABENEGIHUGU BEGEREYE IBIBANZA BIKINGIWE MUKWITANGA CANE MU KUBIBUNGABUNGA.

Abenegihugu n'abasangwabutaka bafise uruhara ruhambaye cane mw'itituka ry'ibibanza bikingiwe. Kubera ko mu mibereho yabo ya misi yose basanzwe bikora cane ku matungo kama ari mu bibanza mparirwabuzima kama, ntibashobora kwitanga mw'ibungabungwa ry'ibibanza bikingiwe. Kugira ngo habe igihinduka, ukwitanga biboneka kw'abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe mu kubibungabunga birakenewe cane kandi hagakorwa ibikorwa nyamukuru bikurikira :

***Igikorwa nyamukuru ca 1*: Gufata ingingo zo kurwanya ugutema amashamba barondera aho barima mu bibanza bikingiwe n'uguteza iterambere uburimyi burama ku nkengera y'ibibanza bikingiwe**

***Inyigisho nyamukuru*: Tuvavanure n'ukurondera amatongo y'ukurima mu bibanza bikingiwe, twijukire uburyo bwiza bw'ukurima kugirango umwimbu wiyongere.**

***Intambamyi zo kurwanya***

- Ukutaronka ibitabizo bikwiriye mu gisata c'uburimyi;
- Ukurondera indimiro mu bibanza bikingiwe;
- Ukutamenya inkurikizi z'ugutema amashamba ku binyabuzima biri mu bibanza bikingiwe;
- Ugukoresha uburyo bw'ukurima bwa kera nabwo bukaba bwonona isi (kurima amaduga ku umusozi bituma inkukura iba ndanse, kurima igiterwa kimwe ibihe vyose navyo nyene bironona isi n'ibindi

***Inyishu zipfuzwa:***

- Gushengeza abantu bose biha amatongo mu bibanza bikingiwe hadakurikijwe amategeko;
- Guca imikobeko irwanya inkukura n'ukuyiterako ivyatsi;
- Gutera ibiterwa vyinshi mu murima kugirango baronke umwimbu mwinshi ku gatongo gato baba barimye;
- Gukoresha umwavu w'ikizungu uvanze n'uw'ikirundi kugirango umwimbu w'uburimyi wongerekane.

***Igikorwa nyamukuru ca 2*: Gufata ingingo zo kurwanya ukuragira mu bibanza bikingiwe mu ntumbero yo kurwanya itituka ry'ibinyabuzima biri mu bibanza mparirwabuzima kama**

***Inyigisho nyamukuru: Kwiyamiriza bimwe biboneka* abaragira mu bibanza bikingiwe.**

***Intambamyi zo kurwanya:***

- Ukuragira birenze urugero mu bibanza bikingiwe;
- Ukwirengagiza inkurikizi z'imiriro ya nyakanga ku binyabuzima biri mu bibanza bikingiwe;
- Ukwirengagiza akamaro ko kugumiza no kugaburira ibitungwa mu mpongore;
- Ukuragira ibitungwa biratuma itituka ry'ibibanza bikingiwe (aha twovuga uruhongore kama rw'igihugu rwa Rusizi aho rumaze kuba ikirimbiro ry'ibitungwa);
- Uguturira imiriro ya nyakanga mu kurondera umuyonga (aho ni mu ruhongore rw'igihugu rwa Ruvubu);
- Ukutagumiza ibitungwa mu mpongore kugira ngo ntihabe uruja n'uruza rw'ibikoko mu mpongore kama.

*Inyishu zipfuzwa:*

- Guhurikira mu mashirahamwe kugirango bashobore kuronka inyigisho zijanye n'akamaro ko kwororera mu ruhongore;
- Kurima ibiterwa bafungurira ibitungwa kugirango bashobore kugumiza n'ukugaburira ibitungwa vyabo mu mpongore;
- Gushengeza abarenze amategeko;
- Gushinga amakomite kugirango ashobore gufasha abejejwe ibibanza bikingiwe gukinga imiriro ya nyakanga;
- Guhamagarira abenegihugu bose kuzimya umuriro iyo wadutse mu kibanza gikingiwe;
- Kurima ibiterwa bifungurirwa ibitungwa ku mikobeko irwanya inkukura iri mu ndimo;
- Gutunganya za nyabarega n'ukwijukira gukoresha amase /umwavu w'ikirundi mu ntumbero yo kwongereza umwimbu w'uburimyi.

***Igikorwa nyamukuru ca 3*: Gufata ingingo zo guhagarika uruhigi mu ntumbero y'ukubungabunga ibikoko biri mu bibanza bikingiwe mu Burundi**

***Inyigisho nyamukuru:* Turwanye uruhigi mu bibanza mparirwabuzima kama kugirango ubwoko bw'ibikoko bihigwa bibungabungwe**

*Intambamyi zo kurwanya:*

- Uruhigi rukorerwa ubwoko bw'ibikoko buriko burazimangana;
- Ugukoresha uburyo bubujijwe mu ruhigi.

*Inyishu zipfuzwa:*

- Gushengeza abantu bose bakora uruhigi;
- Kuja mu mashirahamwe n'ugutunganya imigambi mitomito y'ubworozi ku bantu begereye ibibanza bikingiwe.

***Igikorwa nyamukuru ca 4*: Gukora uburovyi bujanye n'ukubungabunga ibinyabuzima mu nzuzi, ibiyaga n'amabenga vyo mu bibanza bikingiwe**

***Inyigisho nyamukuru:* Dukoreshe insenga zemewe mu burovyi kugirango tubungabunge ku buryo burama ibinyabuzima vyo mu mazi**

**Ingorane/intambamyi:**

- Ukuroba birenze urugaro mu biyaga n'inzuzi zo mu gihugu;
- Ugukoresha uburyo n'ubuhinga bibujijwe mu burovyi;
- Ukutagira iyindi mirimo izana amafaranga yosubirira amatungo kama yo mu bibanza bikingiwe ;
- Ubworozi bw'amafi budateye imbere ku nkengera y'ibibanza bikingiwe.

*Inyishu zipfuzwa:*

- Guhurikira mu mashirahamwe kugirango baronke inyigisho bitagoranye bongere bigishanye ku vyerekeye inkurikizi z'ukuroba birenze urugero;
- Gushengeza abarovyi bakoresha ibikoresho bibujijwe (umukwabu, gukoresha umusegetera, gukoresha uburozi, gukoresha ibikoresho bikanga ifi);
- Guhurikira mu mashirahamwe kugira bijukire gukora iyindi myuga mu ntumbero yo kugabanya igitigiri kinini c'abantu bari mu mwuga w'uburovyi ;
- Gutunganya amasekeza yo kurwanya ibikoresho bibujijwe ;

**Igikorwa nyamukuru ca 5: Gutunganya neza uburyo bw'ugusoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama bwubahiriza ibinyabuzima biri mu bibanza bikingiwe**

***Inyigisho nyamukuru:*** **Dukoreshe uburyo bwiza bw'ugusoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama mu bibanza bikingiwe.**

***Intambamyi zo kurwanya :***

- Ugusoroma ibiterwa bakoresha mu buvuzi kama bataravye ibiri mu bibanza bikingiwe uko bingana;
- Ukutubahiriza ubuhinga bwubahiriza ibidukikije mu gusoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama;
- Ukutarima ubwoko bw'ibiterwa burondererwa mu bibanza bikingiwe.

***Inyishu zipfuzwa:***

- Gusaba uburenganzira bw'ugusoroma ibiterwa bikoreshwa mu buvuzi kama ;
- Kuja mu mashirahamwe kugirango vyorohe kubaronswa inyigisho zijanye n'ubuhinga bw'ugusoroma buziganya ubwoko bw'ibiterwa bivura bironderwa cane ;
- Kurima mu matongo yo kurima ubwoko bw'ibiti bikoreshwa mu buvuzi kama.

**Igikorwa nyamukuru ca 6 : Gufata ingingo zo guhagarika icukurwa ry'ubutare n'amabuye mu ntumbero y'ukubungabunga ibinyabuzima**

***Inyigisho nyamukuru:*** **Turwanye ibikorwa vy'ugucukura ubutare n'amabuye mu bibanza bikingiwe.**

***Intambamyi zo kurwanya:***

- Itituka ry'imitumba y'ibibanza bikingiwe bivuye kw'icukurwa ry'ubutare;
- Itituka ry'imitumba y'ibibanza bikingiwe bivuye k'ugucukura ibikoresho vy'ukubaka.

***Inyishu zipfuzwa:***

- Gushengeza abantu bose bakora ibikorwa ry'ugucukura ubutare mu bibanza bikingiwe;
- Kuja mu mashirahamwe no gusaba uburenganzira bw'ugucukura ubutare inyuma y'ibibanza bikingiwe;
- Kuja mu mashirahamwe kugirango bashobore kuronka inyigisho zerekeye ingaruka mbi z'ugucukura ubutare mu bibanza bikingiwe;
- Gushiraho amasezerano yerekana ingene icukurwa n'itunganya ibibanza vyacukuwemwo bizogenda;
- Gushiraho amakomite y'ugukurikirana ko ibibanza vyacukuwemwo ubutare n'amabuye vyasubirijwe nkuko amategeko n'amasezerano abitegekanya.

**Igikorwa nyamukuru ca 7 : Kubungabunga ibibanza mparirwabuzima mu guteza imbere ubuvumbi bwa kijambere**

***Inyigisho nyamukuru :*** **Duhurikire mu mashirahamwe kugirango duteze imbere ubuvumbi bwa kijambere mu kubungabunga ibibanza mparirwabuzima kama.**

***Intambamyi zo kurwanya :***

- Ukutamenya kw'abavumbi ingaruka mbi umwuga wabo ushobora kuzanira ibibanza bikingiwe;
- Ukwirengagiza ubworozi bw'inzuki bwa kijambere;
- Igwirirana ry'imiriro itikiza ibibanza bikingiwe bivuye ku miriro ikoreshwa mu gihe co guhakura ubuki mu bitiba biri inyuma canke mu bibanza bikingiwe;

- Igwirirana ry'ibitiba vya kera bituma haba ugutema ku bwinshi ubwoko bw'ibiti bikoreshwa mu gukora ibitiba.

***Inyishu zipfuzwa:***

-Kuja mu mashirahamwe kugirango vyorohe kuronswa inyigisho zitandukanye zerekeye inkurikizi z'imiriro ya nyakanga ikomotse ku bworozi bw'inzuki ku binyabuzima;
-Guhurikira mu mashirahamwe kugirango bijukire ubuvumbi bwa kijambere ku nkengera y'ibibanza bikingiwe;
-Gukoresha ubuhinga bugezweho mu gihe co guhakura ubuki mu bitiba vya kijambere budateza imiriro naho hoba ku bitiba kavukire;
-Guhamagarira abenegihugu bose kuzimya imiriro yo kwaduka mu gihe co guhakura ubuki.

**Igikorwa nyamukuru ca 8 : Gushiraho uburyo bwiza bwo gukoresha amatungo kama y'ibinyabuzima akoreshwa mu myuga mitomito hisunzwe ukuramba k'ubudasa n'ubugwirirane bw'ibinyabuzima n'aho biba;**

***Inyigisho nyamukuru:*** **Tuje inama n'ingingo n'abajejwe gutunganya ibibanza bikingiwe kugira ngo habe ugusoroma neza ubwoko bw'ibiterwa bikoreshwa mu myuga mitomito.**

***Intambamyi zo kurwanya:***

-Ukutamenya ingene ubwoko bw'ibimera bikoreshwa mu myuga mitmito bibayeho;
-Ukutamenya uburyo bwa kera bw'ugusoroma ibimera bikoreshwa muri uyo myuga;
-Ubuto bw'amatongo kugirango bashobore kurima ibiterwa bikoreshwa muri iyo myuga
-Abakoresha ivyo biterwa bikora muri iyo myuga ntibaraba ivyo bafise ingene bingana;
-Ukutarima bikwiriye ibiterwa bikoreshwa mu myuga bisunze/ baravye amatongo mato bafise.

***Inyishu zipfuzwa:***

- Kuja mu mashirahamwe kugirango baronke inyigisho zerekeye ingene ibiterwa bikoreshwa mu myuga mitomito bibayeho no ku buryo butabujijwe bwo kubisoroma/kubica;
- Gutera ibiterwa bikoreshwa mu myuga mitomito n'aho amatongo ari mato (twovuga nk'umugano);
- Gusaba impusha ku bajejwe gutunganya ibibanza bikingiwe kugirango baronke biciye mu mategeko amatungo bakoresha mu myuga mitomito.

**Igikorwa nyamukuru ca 9 : Gutunganya neza ubushakashatsi ku matungo kama y'ibinyabuzima akoreshwa mu gucana aronderwa mu bibanza bikingiwe kugirango tubungabunge ibinyabuzima**

***Inyigisho nyamukuru:*** **Ntidushigikire/duce intege ukurondera inkwi zo gucana n'uguca amakara mu bibanza bikingiwe.**

***Intambamyi zo kurwanya:***

- Ituka ry'amatungo kama y'ibinyabuzima yo mu bibanza bikingiwe bivuye k'ukurondera inkwi zo gucana;
- Abakoresha amakara ni benshi cane kandi ibiti avamwo bitakiboneka, ivyo navyo bikaba inkomoko y'itituka ry'ibibanza bikingiwe;
- Ukutagira ibisubirira inkwi n'amakara;
- Ugukena kw' inkwi n'ibindi vyose vyo gucana mu micungararo y'ibibanza bikingiwe;
- Ugukoresha birenze urugero amakara ava mu biti cane cane mu bisagara biragira ingaruka kw'itituka ry'ibibanza bikingiwe;

- Ukudakoresha bihagije amaziko aziganya inkwi n'amakara ari navyo vyotumye abirukira amatungo y'ibinyabuzima yo mu bibanza bikingiwe bagabanuka;
- Ukudakoresha bikwiriye ibindi vyosuburira inkwi n'amakara ariyo yoje gutezurira amatungo agizwe n'ibiti yo mu bibanza bikingiwe.

***Inyishu zipfuzwa:***

-Guhurikira mu mashirahamwe kugirango haterwe ibitara vy'ibiti mu micungararo y'ibibanza bikingiwe;
-Kwijukira gutera udutara tw'ibiti mu miryango kugirango baze baravyikorako ;
-Gutema badakuzako mu gihe bashaka kugurisha ibitara vy'ibiti biri ku nkengera y'ibibanza bikingiwe;
-Gukoresha amaziko n'amashiga ya kijambere aziganya inkwi ;
-Kuja mu mashirahamwe kugirango bashobore kuronka inyigisho zitandukanye zijanye n'ubuhinga bw'uguca amakara buziganya ibiti.

***Igikorwa nyamukuru ca 10*: Kurwanya ukubaza mu kinyegero mu bibanza bikingiwe mu ntumbero y'ukubungabunga ibinyabuzima**

***Inyigisho nyamukuru:* Turwanye ukubaza bidaciye mu mategeko mu bibanza bikingiwe mu gutera ubwoko bw'ibiti bibazwa ku nkengera y'ibibanza bikingiwe**

***Intambamyi zo kurwanya:***

- Ukubura ibindi biti bibazwa bituma haronderwa ivyo mu bibanza bikingiwe;
- Ubukene bw'ibiti bivamwo imbaho ku nkengera y'ibibanza bikingiwe n'ahandi hose mu gihugu;
- Ukubandanya kubaza mu kinyegero mu bibanza bikingiwe;
- Ukugenda hazimangana ubwoko bw'ibiti bivamwo imbaho ku nkengera y'ibibanza bikingiwe.

***Inyishu zipfuzwa:***

- Gushengeza abantu bakora ibikorwa vy'ukubaza imbaho mu kinyegero;
- Gutera ubundi bwoko bw'ibiti buvamwo imbaho mu matongo y'ahegereye ibibanza bikingiwe.

## UGUSOZERA

Urugero rwo kwitanga kw'abenegihugu begereye ibibanza bikingiwe mu kubibungabunga ntirushemeye. Ivyo bikibonekeza mw'itituka ry'ivyo bibanza ribandanya ku rugero runini. Ukwitabira bimwe biboneka kw'abenegihugu begereye ivyo bibanza kuguma ari nkenerwa cane kugirango turushirizeho gukingira amatungo kama yo mu bibanza bikingiwe. Turasavye rero abenegihugu baronse aka gatabo ngo nabo baze bashikirize bagenzi babo basangiye umutumba inyigisho zikarimwo kugira ngo bose, atanumwe avuyemwo, baze bagire uruhara ntangere mu kubungabunga ibinyabuzima.